# REPUBURIKA Y'UBURUNDI

## IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

Tel: +257 77 535 000
E-mail: bic@kwantare.gov.bi
Site web: www.kwantare.gov.bi

IBIRO BIJEJWE KUMENYESHA AMAKURU
Facebook: /PresidenceBurundi
Twitter: @KwaNtare

## ITANGAZO KU BIMENYESHAMAKURU

Kuva kuri uyu wa kabiri igenekerezo rya 23 Ntwarante gushika ku musi wa gatanu igenekerezo rya 26 Ntwarante 2021, Nyenicubahiro Varisito NDAYISHIMIYE, Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, aherekejwe n'Umutambukanyi wiwe, abashikiranganji 4, hamwe n'abagwizatunga 10 b'abarundi, ari m'urugendo mu gihugu ca Misiri, ku butumire bwa mugenziwe w'ico gihugu, Nyenicubahiro Abdel Fattah AL-SISSI

Urwo rugendo rwerekana ishaka ry'abo bakuru b'ibihugu uko ari babiri ryo gutsimbataza imigenderanire yo gufashanya n'ubucuti busanzwe buri hagati y'abarundi n'abanya Misiri.

Muri urwo rugendo, Nyenicubahiro Varisito Ndayishimiye azoronka akaryo ko kuyaga na mugenziwe wa Misiri Nyenicubahiro Abdel Fattah AL-SISSI, kakazoba n'akaryo ko gutumira abagwizatunga bo muri ico gihugu kuzana imitahe yabo mu Burundi

Bigiriwe I Bujumbura, igenekerezo rya 23

**Amb. Willy Nyamitwe**
*Umukuru w'Ibiro bijejwe Amakuru*